**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°10 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 01 RUHESHI 2022

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 01 Ruheshi 2022, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 30 Rusama 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira::

1. **Integuro y'itegeko rigenga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Integuro y'itegeko rigenga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023 yateguwe mu gihe hariko harangurwa imigambi mishasha ijanye no kubungabunga ubutunzi bw'igihugu mu ntumbero yo kuva mu nteguro y'amafaranga hisunzwe uburyo bwabonetse tuja mu nteguro nshasha yo gukoresha amafaranga hisunzwe ibikorwa bizorangurwa vyateguwe neza, kugira dushobore kwinjira muri iyo nteguro neza guhera mu mwaka 2023/2024.

Iyo nteguro itwereka ko amafaranga yashizwe mu bikorwa hisunzwe integuro y'ibikorwa n'uburyo bizotwara ari umutahe, kuko bizovyara inyungu, iyo nayo ukaba ariwo mwimbu uzoba wari witezwe muri ivyo bikorwa n'uburyo vyakoreshejwe.

Ibwirizwa rishinga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka w'2022 ushira uwa 2023 yerekana ukwinjira mu nteguro yo gukoresha uburyo hisunzwe ibikorwa bizokorwa ku mwaka n'uburyo bizotwara.

Kubw'ivyo, ubushikiranganji bwose n'ibisata bikoresha uburyo bwa Reta n'ama komine vyahamagariwe gutegura uburyo buzokoreshwa mu kwerekana ibikorwa buzorangura n'umwimbu buzoshikako, kugira bifashe gukurikana neza ivyo bwerekanye ku gice ku gice, ko vyaranguwe.

Mu ntumbero yo kwerekana neza ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta mu mwaka 2022 ushira uwa 2023, uburyo bwose bwegeranywa n'ibisata bikoresha amafaranga ya Reta buzorabwa n'Ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'ama tagisi (OBR).

Mu gisata c'uburimyi n'ubworozi, integuro y'amafaranga ya Reta y' umwaka w'2022 ushira uwa 2023 izoshira inguvu zidasanzwe mu kugwiza umwimbu, mu kurima n'ukworora, mu kugura ifumbire, hamwe no kugwiza imbuto zirobanuye, kugwiza ibitungwa biciye mu benegihugu bahurikiye mu ma koperative y'uburimyi n'ubworozi.

Mu ntumbero yo guha inguvu abagwizamwimbu mu kubishura inguvu baba bakoresheje mu kugwiza umwimbu, igiciro c'ivyo bimbuye kizoshingwa, mu ntumbero yo gutorera inyishu ikibazo kijanye no kubungabunga umwimbu w'igihugu.

Mugisata c'inyubako no kwiyunguruza, inyubako y'ibarabara ry'indarayi Uvinza-Malagarazi-Gitega yarashizwe imbere cane nw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta y'umwaka w'2022 ushira uwa 2023.

Mu ntumbero yo gufasha imigambi y'iterambere n'ibikorwa vy'urwaruka, Reta izotanga uburyo mu mugambi wo guteza imbere urwaruka no kugwiza akazi (PAEEJ) yongere igwize uburyo yahora ishira mw'Ibanki y'urwaruka hamwe no mu kigega cishinga abanyamitahe bato bato (Fonds d'Impulsion, de Garantie et d'Accompagnement, FIGA).

Integuro y'amafaranga Reta izokoresha mu &mwaka wa 2022 ushira uwa 2023 irategekanya uburyo buzokora mu gisata c'ugukorera mu buhinga bwa none, bikazofasha mu kwegeranya neza uburyo bwa Reta.

Mu ntumbero yo kugwiza amafaranga yinjira mu kigega ca Reta ava mu makori n'amatagisi, ingingo nyamukuru zarategekanijwe. Kubw'ivyo, Ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi (OBR) kigiye kubandanya no gukora ibi bikurikira:

- Gushira inguvu mw'itoza ry'amatagisi ku bikorwa vyo mu gisata c'ubutare;
- Gushiraho ingingo nshasha zijanye no gutuza urudandaza rudaciye mu mategeko mu kwegereza abenegihugu igisata kijejwe amakori;
- Kwubahiriza itegeko rijanye no kuronsa inyungu Reta aho isanzwe ifise imitahe;
- Kwiga neza ivyerekeye n'uturusho dutangwa (exonérations);
- Kubandanya kurihisha ibirarane vy'amakori;
- Guhindura, amafaranga atava mu makori yahora atozwa n'amashirahamwe amwe amwe hatisunzwe amategeko, agatozwa n'Ikigo kijejwe gutoza amakori n'amatagisi (OBR);
- Kwongereza ibikoresho bijanye no gutoza amakori nk'imashini nyabwonko muri comisariya ijejwe ivyama duwane (Commissariat des Douanes et Accises) hatibagiwe no gusubiramwo amategeko ;
- Gutsimbataza uburyo bujanye no kurwanya ibiturire no kutariha ikori;
- Kugwiza uburyo bwofasha kwinjiza amafaranga menshi mu kigega ca Reta hisunzwe amategeko mashasha ajanye n'amakori hamwe n'amatagisi nyongera gaciro;
- Gushiraho ubuhinga bwa none mu bisata vyose vya OBR;
- Gukurikirana neza irihwa ry'itagisi nyongera gaciro; n'ibindi.

Kubw'ivyo, amafaranga yose azinjira mu kigega ca Reta (harimwo n'imfashanyo) azova ku miriyaridi 1562,06 y'amafaranga y'amarundi mu mwaka wa 2021/2022 gushika ku miriyaridi 2193,6 y'amafaranga y'amarundi mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023, n'ukuvuga ko azoduga ku gushika ku bice 40,4 kw'ijana (40,4%).

Amafaranga yose azokoreshwa na Reta azova ku miriyaridi 1713,8 y'amafaranga y'amarundi mu mwaka wa 2021/2022 aje ku miriyaridi 2 391,08 y'amafaraganga y'amarundi mu nteguro y'itegeko rigenga amafaranga ya Reta mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023, akazoduga kugera ku bice 39,5 kw'ijana (39,5%).

Amafaranga yose hamwe y'igihengeri ari mu nteguro y'amafaranga azokoreshwa mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023 ashika imiriyaridi 197,4 y'amafaranga y'amarundi, aho mu mwaka wa 2021 ushira uwa 2022 cari ku miriyaridi 151,8 y'amafaranga y'amarundi, ni ukuvuga ko hiyongereye 2,38%.

Ku bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta mu mwaka wa 2022 ushira uwa 2023, hazotegurwa hongere hakorwe integuro ishinga amafaranga agenewe gukoreshwa buri igice c'umwaka, hisunzwe ibizoba biri mu nteguro yerekana ibikorwa bizorangurwa mu bushikiranganji n'ibisata vyose vya Reta, maze iyo nteguro ikazobanza kwemezwa n'inama nshikiranganji, hamwe rero n'integuro yerekana amafaranga yinjiye mu kigega ca Reta.

Amafaranga ya Reta yose azokoreshwa azotegerezwa kuba yemejwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, bigashirwa mu ngiro hisunzwe uburyo buhari.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Gutomora ko amahera y'ishule canke ikindi cose gitangirwa amahera, kirihwa mu mahera y'amarundi;
- Kurihisha amahera ibihumbi amajana atatu (300.000) iyo hageze kurondera iparati nshasha ku modoka zikorera aha mu Burundi mu kiringo gito (IT);
- Kurihisha amahera y'iparati imodokari zaguzwe kugirango zikore mw'irangurwa ry'imigambi nk'izindi zose zisanzwe, mu gihe zizoshikirizwa Reta uwo mugambi urangiye;
- Kwandika uburyo bwose bujejwe inyubako zo mu bushikiranganji mu bujejwe inyubako kuva mu mwaka w'2022 ushira uwa 2023. Ubushikiranganji bwose buzoza burakora ibiharuro bikenewe bubishikirize ubushikiranganji bujejwe inyubako, ariko buzoze burakurikiranira hafi ibikorwa ingene biriko birarangurwa;
- Ku bijanye n'uruhusha rwo kugendesha umuduga, gushirako tagisi y'amahera ibihumbi ijana (100 000) kubera ko ishirahamwe ryakora izo mpusha ryahejeje ikiringo caryo ata mahera rikironkamwo;
- Kubandanya kurondera amahera yoba yanyegejwe n'ibisata vyegukira Reta mu ma banki, kugirango ayo mahera nayo nyene yandikwe mu mahera ya Reta;
- Kubandanya kwagura ahatozwa amakori mu kuvumbura ahandi ashobora kuba atarihwa;
- Gutoza ikibiriraho amatagisi arihwa mu gukoresha telefone ngendanwa;
- Gusubiramwo guharura amahera azinjira ava mu gisata co gutumatumanako amakuru biturutse kw'iyinjira ry'Uburundi mu muhora umwe wo guhanahana amakuru mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko « One Network Area » (ONA)
- Kwishuza, bikenewe hakajamwo n'inguvu, amashirahamwe akorera mu gisata co gutumatumanako amakuru aheraniye Reta ;
- Gusubiramwo ibwirizwa rigenga ikori ku mahera yinjiye (impôt sur le revenu) mu ntumbero yo kugwiza abatangakori;
- Kwiga neza ingene umwimbu wokwegeranywa n'ingene wodandazwa kugirango ibiciro ntibize biraduzwa uko bukeye uko bwije, bivuye ku bantu bamwe bamwe.

2. **Urwandiko rwerekeye igisabo c'ibanki BANCOBU co gushira umutahe mw'isoko y'amafaranga mu Burundi,** rwashikirijwe

n’umushikiranganji w’ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y’iterambere.

Inyuma y’aho mu mwaka w’2019 hashizweho ibwirizwa rigenga isoko ry’imitahe mu Burundi be n’ibwirizwa ricungera amasoko y’imitahe mumwaka w’2020, igikorwa kiriko kiraba ubu ni ugishira mu ngiro ibijanye n’iryo soko.

Hazoba hariho ishirahamwe rijejwe urwo rudandazwa rw’amafaranga.

Kw’igenekerezo rya 01 Kigarama 2021, Ibanki nkuru y’igihugu yarandikiye ibanki BANCOBU iyisaba ko yoshira umutahe muri iryo shirahamwe, ndetse urwo rwandiko rwararungikiwe ama banki yose akorera mu Burundi.

Urwego nshingwantwaro rw’ibanki BANCOBU rwaremeye ko yoshiramwo umutahe ugera ku miliyoni amajana atanu y’amahera y’amarundi (500 000 000fbu), k’umutahe ungana imiyaridi zibiri n’igice z’iryo shirahamwe (2 500 000 000).
Uru rwandiko ruje gusaba ko Reta yokwemerera iyo Banki gushiramwo uwo mutahe.

Inama nshikiranganji **yaremeye** ivyasabwe.

3. **Urwandiko rwerekeye itororokanywa ry’ivyo igihugu gitunze ryakozwe ku buryo bwa none,** rwashikirijwe n’umushikiranganji w’ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y’iterambere.

Uru rwandiko ruje gushira mu ngiro ivyashikirijwe mu myiherero ya Reta, mu ntumbero yo gukoresha neza ivyo igihugu gitunze, be n’indinganizo y’ibitegekanywa kurangurwa na Reta mu mwaka w’2021-2022, mu vyashizwe imbere vyihuta hakaba harimwo kugira rusansuma y’imitungo ya Reta mu gihugu cose.

Kubera mu matungo ya Reta harimwo vyinshi, Reta yashimye gutangurira ku bitimuka (amatongo n’amazu) kuko bifise ikibanza kinini mu butunzi bw’igihugu.
Ni muri iyo ntumbero ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta bufashanije n’ikigo ISTEEBU bwaranguye ico gikorwa.

Batoye amazu n’ibitimuka ibihumbi cumi n’indwi n’amajana atanu na mirongo ine na bitanu (17 545) menshi muri ayo akaba ari amashule be n’ayakoreramwo ibisata vya Reta.
Urwo rusansuma rwerekanye amazu ya Reta amajana atatu na mirongo irindwi n’abiri (372) akoswe.

Ku vyerekeye amazu akoswe, ivyibonekeje ni ibi bikurikira:

- Urutonde rwose ntiruramenyekana kuko hari bamwe bamwe bajejwe gukurikirana amatungo ya Reta batatanze igitigiri cose c'amazu be n'amahera arihwa kuri ayo mazu akoswe ;
- Amasezerano y'ubukote ntiyubahiriza amategeko ahari;
- Amahera arihwa amw'amwe ntaja kuri konte ya Reta ;
- Amazu ya Reta akoswe ntabungwabungwa neza co kimwe n'ibikoresho birimwo.

Urwo rusansuma ni igikorwa gihambaye kizofasha:
- Gushira mu ngiro ibikorwa vyose bijanye no gukoresha neza amatungo ya Reta;
- Gushira ku gihe umwanya wose ivyo biharuro hatarinze gukorwa urundi rusansuma;
- Gusuzuma umwanya uw'ariwo wose ibiharuro umuntu yipfuza bijanye n'ayo mazu ya Reta.

Mu ntumbero yo gutunganya neza uburyo bwa Reta, ico gikorwa cokurikirwa na rusansuma ku yandi matungo ya Reta, cane cane ibijanye n'amafaranga, kugirango habe igikorwa ciyujuje giteza imbere ubutunzi bw'igihugu, be rero n'ibindi bikorwa nko gushira mu bushikiraganji bwose igisata kijejwe gukurikirana amatungo ya Reta.

Urwo rusansuma ni ikintu gihambaye kuko ivyavuyemwo bizoharurwa mu butunzi igihugu gifise bigire ico bihinduye, Uburundi ntibusubire kuja mu bihugu vya mbere bikenye kw'isi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino, ico gikorwa caranguwe, **yaragishimye,** ica ishikiriza ibi bikurikira:
- Ico gikorwa coza kirashirwa ku gihe ku mwaka ku mwaka kugirango ayo matungo akurikiranwe neza;
- Ku mazu afashwe nabi canke yononekaye, birakwiye ko hamenyekana ababigizemwo uruhara ingingo zibereye zigafatwa;
- Amazu ya Reta yose arakwiye guharurirwa igiciro afise;
- Amategeko ashinga urugero rw'amahera Reta ikotako canke ikoteshako ategerezwa gukurikizwa;
- Ico gikorwa co ku menya amatungo ya Reta cobandanya kugirango Reta imenye ivyo itunze.

**4. Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano akuraho irihishwa ry'uruhusha rwo kwinjira mu bihugu vy'Uburundi na Algeriya ku**

**benegihigu b'ivyo bihugu bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro canke vy'akazi**

5. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano hagati ya Reta ya Turukiya na Reta y'Uburundi, yerekeye kutariha ikori kabiri ku mahera yinjira, no kurwanya ubusuma bufatiye ku kutariha iryo kori**
6. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Israel**

Izo nteguro uko ari zitatu zashikirijwe n'Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mw'iterambere.

Izo nteguro zose zifise intumbero yo gukomeza ubucuti no gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi n'ivyo bihugu.

**Iyemezwa ry'amasezerano hagati y'Uburundi na Algeriy**a azofasha mu bijanye no gukomeza uruja n'uruza ku benegihugu b'ivyo bihugu.

Ku vyerekeye **amasezerano hagati ya Reta ya Turukiya na Reta y'Uburundi, yerekeye kutariha ikori kabiri ku mahera yinjira no kurwanya ubusuma bufatiye ku kutariha iryo kori** afise intumbero yo gukomeza imigenderanire mu bijanye n'ubutunzi, cane cane mu vyerekeye amakori.
Ayo masezerano azofasha cane mw'ihanahana ry'ibidandazwa, yongere afashe kurwanya kutariha amakori ku mahera yinjiye, kandi ntihagire uwurihishwa kabiri.

Ku biraba **amasezerano yo gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Israel,** ivyo bihugu bizofashanya mu bijanye n'uburimyi, ubushakashatsi n'iterambere, ubutunzi n'ibijanye n'amakori, ubudandaji, ibijanye n'ubuhinga, be n'ibindi bisata bizogaragara ko bifitiye inyungu izo mpande zibiri zikavyumvikanako.

Izo nteguro zose **zaremejwe**.

7. **Urwandiko rwerekeye urubuga ngurukanabumenyi « e-nama » rufasha abagize Reta guhanahana amakuru,** rwashikirijwe n'Umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru, n'ibimenyeshamakuru.

Mu ntumbero yo gukomeza igisata c'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru, Reta y'Uburundi yaremeje umugambi w'igihugu ujanye n'ico gisata kuva mu mwaka w'2011.

Uwo mugambi utegekanya ikwiragizwa ry'ubwo buhinga mu bisata vya Reta. Uguhanaha amakuru muri Reta biraba ibikorwa vyose vya Reta bikoresha ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru.
Ingaruka nziza zihera k'ugukorana kw'abakozi ba Reta ku buryo bworoshe.

Nico gituma ibisata vyinshi vya Reta ubu bikorana bibicishije ku muhora uhuza inzego za Reta mu guhanahana amakuru, mu gutegura ibikorwa vy'inama nshikiranganji.

Ihangiro ni uko ibikorwa vya Reta bitunganywa hakoreshejwe ubuhinga bwa none kugirango buteze imbere iterambere mu mibano n'ubutunzi.

Ubu urubuga rwitwa "eNama" nirwo ubunyamabanga nshingwabikorwa bw'ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru (SETIC) bwashizeho kugirango uburyo bukoreshwa be n'umwanya mu gutegura no gutunganya ibikorwa vy'inama nshikiranganji bugabanuke, cane cane nko gukoresha impapuro.

Urwo rwandiko rurerekana n'uburyo ico gikorwa gisaba.

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri urwo rwandiko, **ivyashikirijwe** ni ibi bikurikira:

- Birakenewe kwongereza umuvuduko w'imihora yo mu bushikiranganji bwose no ku zindi nzego z'igihugu;
- Uburyo buzokenerwa buzova mu kigega kijejwe guteza imbere ikwiragizwa ry'ubuhinga bwo gutumatumanako (Fonds de Service Universel);
- Ubunyamabanga nshingwabikorwa bw'ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru (SETIC) burakwiye gushigikirwa mu gikorwa co gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vyose vya Reta.

8. **Integuro y'itegeko ryerekeye iyinjira ry'Uburundi mu muhora umwe wo guhanahana amakuru mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko,** yashikirijwe n'Umuhinga wo Biro vy'Umukuru w'Igihugu.

Mu nama igira gatanu y'abakuru b'ibihugu bo mu muhora wo mu buraruko yabereye i Nairobi kw'igenekerezo rya 02 Rusama 2014, abo bakuru b'ibihugu barafashe ingingo nyinshi zotuma ako karere gakorera hamwe kuruta.

Kubera babonye ko amahera arihwa mu gutumatumako amakuru biciye mu guhamagarana na telefone ari menshi cane bikagira ingaruka ku biciro vyo muri ako karere, baciye bafata ingingo zotuma ivyo biciro bigabanuka ku benegihugu,

babicishije ku muhora umwe wo guhanahana amakuru mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko, ikiringo c'ishirwa mu ngiro c'iyo ngingo kikaba cari guherana n'umwaka w' 2014.

Twokwibutsa ko ishingwa ry'ako karere ko gukoresha umuhora umwe yashinzwe n'abakuru b'ibihugu bigize ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko ku mvo zibiri zikurikira:

- Gukomeza gufashanya hagati y'abakorera mu gisata co gutumatumanako amakuru muri aka karere n'abajejwe kubicungera, hamwe n'ama Reta agize ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko kugirango ihanahanwa ry'ibidandazwa ryorohe ;
- Kugabanya ibiciro vyo guhamagara hanze y'igihugu canke mu gihugu.

Mu Manama yagiye arakurikira, Uburundi bwariyemeje ko bwoba bwashize mu ngiro uwo mugambi hatarenze igenekerezo rya 30 Ruheshi 2022.

Uburundi ni co gihugu co nyene cari gisigaye kitarinjira muri uwo mugambi mu bihugu bigize ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko, be na Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo yoyo yinjiye muri iryo shirahamwe vuba.

Inyungu y'Uburundi mw'ishirwa mu ngiro ry'iyo ngingo izofasha Abarundi kuko ibiciro bizogabanuka hanyuma abahamagarana biyongere, gurtyo n'amatagisi avuye muri uko guhamagarana yinjire mu gihugu ari menshi.

Iyi nteguro y'itegeko niyo izofasha mw'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi. Irerekana amahera azorihwa ku munota wo guhamagara nayo akaba atarenga 0,10 y'amadolari y'abanyamerika harimwo n'amatagisi, nayo amashirahamwe akorera muri ico gisata akaba azotanga ayanga na 0,07.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje** ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

9. **Urwandiko rwerekeye ibibazo biterwa n'ukutubahiriza amategeko kw'abayobozi bamwe bamwe b'amashule shingiro, ayakurikira ishule shingiro na za kaminuza,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe indero n'ubushakashatsi.

Amashule shingiro, ayakurikira ishule shingiro na za kaminuza agengwa n'amategeko abayobozi b'ayo mashule bategerezwa kwubahiriza.

Ariko bamwe bamwe muribo, bivuye kubigira nkana canke kutamenya, ntibayubahiriza kandi gushira mu ngiro ibihano bitegekanijwe bikaba vyogira ingaruka ku banyeshule. Ivyo bica bizana amatati hagati y’abanyeshule n’abigisha canke n’ishule, canke hagati y’ubushikiranganji n’amashule.Uru rwandiko rurerekana ingorane zibonekeza muri ayo mashule be n’icokorwa nk’umuti wazo.

Mu **mashul**e **shingiro n’ayakurikira amashule shingiro** bimwe bimwe vyibonekeza ni ibi bikurikira :

- Amashule yugururwa ata ruhusha rwatanzwe,
- Kwandika abanyeshule mu mashule yose acugurura kandi itegeko nshikiranganji ribirekura mu myaka ya mbere gusa (ayo kwimenyereza, amashule shingiro, amashule akurikira amashule shingiro)
- Kwakira abanyashule mu mwaka hagati ata ruhusha rwatanzwe.

Izo ngorane zitatu zibonekeza cane cane mu mashule y’abigenga ari mu bisagara cane cane mu gisagara ca Bujumbura.

**Mu mashuke kaminuza** naho hibonekeza amakosa cane cane mu mashule y’abigenga mu kutubahiriza amategeko ahari cane muri ibi bikurikira :

- Kutubahiriza ibisabwa mu kwinjira muri kaminuza;
- Kwugurura ibisata no gutanga inyigisho ata tegeko nshikiranganji ryabitangiye uruhusha;
- Gutanga impapuro z’umutsindo kandi itegeko nshikiranganji ritemeje intonde z’ivyigwa
- Kutubahiriza amategeko ku vyerekeye itunganywa ry’intwaro n’ivyigwa mu mashule kaminuza;
- Uburyo budakwiye mu mashule amw’amwe ya kaminuza.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ico kibazo yashinze ibi bikurikira :

A. **Mu mashul**e **shingiro n’ayakurikira amashule shingiro**, gushira mu ngiro ingingo zikurikira:

- Ku mwaka w’ishule w’2022 ushira uwa 2023, kwugara amashule yose yuguruwe adafise uruhusha;
- Gukurikiza amategeko ahari, amashule yose yaciye mu makosa ahanwe;
- Gusubirammwo itegeko nshikiranganji ribuza kwandika abanyeshule mu mashule yose, iyo rikwije ibisabwa;
- Guhana abajejwe indero mu bushikiranganji bafise uruhara kugirango izo ngorane zose zivuke.

B. Mu mashule ya Kaminuza nayo:

- Ku bize mu mashule y'imyuga batari bafise uburenganzira bwo gukora ikibazo ca Reta bakaja muri za kaminuza inyuma y'uko ibwirizwa ryo mu 2011 ritunganya gushasha inyigisho za kaminuza rigiriyeho, impapuro z'umutsindo zabo nta gaciro zizohabwa. Bipfuza kwiga kaminuza ni bagende bakore ikibazo ca Reta hanyuma batangure kaminuza bushasha.
- Ku banyeshule batari bafise urupapuro rw'umutsindo rwa Reta (diplôme d'Etat) bakaja kwiga ishule kaminuza ryigisha ubuvuzi biciye kubiri n'itegeko ryo mu 2013 ritunganya izo nyigisho, bazohabwa urupapuro rw'umutsindo rw'abahinga mu buvuzi rwo ku rugero rwa mbere (A1)
- Amashule yose yaciye kubiri n'amategeko ategerezwa gukurikiranwa mu butungane.

## 10.Utuntu n'utundi

- Umushikiranganji ajejwe inyubako yarashikirije inama nshikiranganji aho igikorwa co gushira mu ngiro ingingo z'inama nshikiranganji yabaye kw'igenekerezo rya 18 Rusama 2022 ku vyerekeye ahahora ikibuga AFB reta yari yagurishije kuri TOYOTA BURUNDI**.**

  Yaramenyesheje ko ivyerekana amahinyu yose ari muri iyo dosiye vyatororokanijwe ubu rero igikorwa co gufuta urupapuro ndangatongo rwari rwahawe Toyota Burundi biriko birakorwa hanyuma irya tongo rigaruke mu minwe ya Reta. N'izindi ngingo inama nshikiranganji yafashe ziriko zirashirwa mu ngiro.

- Umushikiranganji ajejwe kumenyesha amakuru, Ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru n'ibimenyeshakuru yaramenyesheje aho ukuvugana n'abafashanya n'uburundi bigeze kuri wa mugambi uzoshigikira uguteza imbere ikoreshwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu Burundi. Yamenyesheje ko ico kibazo kizihwezwa n'urwgo nshingwantwaro rw'ishirahamwe IDA kw'igenekerezo rya 22 Ruheshi 2022.

  Yaramenyesheje kandi ikibazo kijanye n'ibikoresho vy'ishirahamwe rijejwe gutumatumanako ku buhinga bwa none (Société de Télédiffusion Numérique du Burundi) bibitswe n'ishirahamwe Startimes. Yameneyesheje ko inyishu y'ico kibazo ari uko vyoshikirizwa iryo shirahamwe ryatanguye gukora, naryo rigaca ribishikiriza abategerezwa kubironswa. Inama nshikiranganji yamusavye kurondera ikindi kibanza vyoba birabikwamwo mu kurindira ko bitangwa.

- Umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi yaramenyesheje inama nshikiranganji ibijanye n'ingwara yateye mu bitungwa be n'ikiriko kirakorwa kugirango ntitere irandagata.

Yamenyesheje ko iyo ngwara imaze kwibonekeza mu ntara za Ngozi, Kirundo, Muyinga, Kayanza, Karusi, Cibitoke, Bujumbura na Makamba.

Kuva iyo ngwara yibonekeje, inka amajana ane na mirongo umunani na zibiri (484) nizo zarwaye muri zo ijana na cumi na zine zikaba ari zo zapfuye (114).

Iyo ngwara yandukira ibitungwa bivuye k'ukuribwa n'udukoko cane cane imibu, ku bantu naho bikavana no gukora ku maraso ibindi canke igitungwa kirwaye, kurya inyama zidahiye neza z'igitungwa kigwaye canke amata adatetse, kuribwa n'umubu wariye igitungwa kigwaye.  Ingingo zikenewe zitegerezwa gufatwa kugirango ntirandagate.

Yamanyesheje ko ingingo zihuta zafashwe ari : kubuza ihanahanwa ry'ibitungwa bifatwa cane n'iyo ngwara, kwugara amasoko y'ibitungwa no kubuza kubaga ibitungwa mu ntara iyo ngwara imaze kugaragara mwo, gutunganya neza ibijanye no gihamba ibitungwa vyapfuye no kwikingira kuri umw'umwe wese.

Hari intunganyo y'ibikorwa yateguwe mu ntumbero yo kurwanya iyo ngwara ishirwa mu ngiro ryayo rikazokenera uburyo bugera ku miliyoni umunani ibihumbi amajana atandatu na mirongo icenga n'indwi n'ijana na mirongo umunani n'umunani vy'amadolari y'abanyamerika (8 697 188 USD), ivyo bikorwa bikazomara ikiringo c'amezi cumi n'abiri.

- Umushikiranganji ajejwe amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka yarashikirije inama nshikiranganji urwandiko rwerekeye urupapuro rw'inzira rujanye n'umugambi wo gucukura ubutare bwa nikele i Musongati be n'ubwo bijana.

  Ishirahamwe East African Region Project Group (EAR) n'iryo ryashikirije icipfuzo co gucukura ubwo butare, rikaba ryateye umukono ku masezerano y'umwumvikano hamwe na Reta y'Uburundi kw'igenekerezo rya 29 Ntwarante 2022.

  Kubera ikiringo c'ayo masezerano carangije ikiringo, uru rwandiko rusaba ko Reta yemera guhindura igenekerezo ayo masezerano yohererako no gushira umukono ku rupapuro rw'inzira rwerekana ingene amahera y'ingwati yotangwa, nk'uko ayo masezrano asanzwe abitegekanya.
  Inama nshikiranganji **yaravyemeye**.

- Mu guheraheza, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaribukije abashikiranganji ko bomenyesha abo bajejwe inomero ya konte ijako interano yo kwubaka Ikirimba c'i Gitega, aributsa kandi ko iyo ntererano atari itegeko ko umwe wese abikora uko umutima ubimubwiye aravye ico ashoboye.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 02 Ruheshi 2022

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE